Bibiliya y'Abana

Ishikirije



Daniyeli M'urwobo Rw'intambwe

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Jonathan Hay; Alastair Paterson

Itunganywa na: Mary-Anne S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2026 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Dariyo yari umwami mushasha w'i babuloni. Yari umunyabwenge. Atoranya abantu 120 baciye ubwenge cane kugira ngo bamufashe gutwara. Aca ashiraho abakuru batatu bo kurongora abandi. Daniyeli yari umwe muri abo batatu.

Umwami dariyo yarubaha cane daniyeli. Yari yiyumvira kumugira umutware w'ubwami bwiwe bwose.



Abandi batware bari bamufitiye ishari. Barondera ico bokwagiriza daniyeli kugira ngo bamuteranye n'umwami.

Ariko muvyobagerageje vyose, abo bakuru ntibashoboye kuronka ico bagiriza daniyeli. Daniyeli yari umwizigirwa k'umwami muvyo yakora vyose. Kandi yari umuntu yirinda kandi aciye ubwenge, kandi muvyo yakora vyose yama abikora neza cane.

Abo bakuru bari bafise ishari bari baziko hari umutego umwe gusa boshobora gutegeramwo daniyeli. Bari bazi ko kw'isi atanakimwe coshobora kubuza
Daniyeli gusenga
Imana ya
Isirayeli.

Abansi ba daniyeli batangura kwiyumvira umugambi. Baca bategura itegeko rishasha kugira ngo barihe umwami aritereko umukono. Iryo tegeko ryabuza uwo ariwe wese kutagira iyindi mana asenga atari Imana ya Dariyo. Uwuzobirengako wese azotererwa m'urwobo rw'intambwe!

Umwami Dariyo atera umukono kw'itegeko rishasha.

Iryo tegeko rishasha ntiryagira ikintu na kimwe rihindura kuri Daniyeli. Abandanya akora ivyo yari amenyereye gukora. Imisi yose yafukama gatatu k'umusi, agasenga Imana ari hafi y'idirisha ryuguruye.



Abo bakuru bari bamufitiye ishari baca bagenda bihuta kubibarira umwami.



Umwami dariyo yategerezwa gufata daniyeli. Itegeko ryategerezwa kwubahirizwa. Daniyeli yategerezwa kwicwa. Umwami agerageza kurondera ingene yohindura iryo tegeko ariko ntiyabishobora.

Daniyeli acirwa urubanza rwo gutererwa m'urwobo rw'intambwe no gupfirayo. Imbere y'uko daniyeli atererwa izo ntambwe zishonje, umwami dariyo aramubwira ati: "Imana ukorera mubw'izigirwa iragukiza!"

Umwami ntiyatora itiro iryo joro. Kare cane bukeye mugatondo, yihuta kuja kuraba muri cakinogo kirimwo intambwe.



Umwami dariyo arahamagara ati: “Daniyeli, mukozi w'Imana nzima, mbega Imana yawe, ukorera mubwizigirwa, yashoboye kugukiza muri izo ntambwe?” Kumbure ntiyari yiteze inyishu. Ariko Daniyeli aramwishura!



Daniyeli aramwishura ati: “Mwami wanje, Imana yarungitse umumarayika wayo, afunga umunwa w’intambwe, kugira ngo ntizingirire nabi! Kandi no kuri wewe, mwami wanje, ntacaha nakoze.”

Umwami Dariyo yari yuzuye umunezero! Aca atanga itegeko ko bakura Daniyeli muri urwo rwobo rw'intambwe.



Umwami yari azi ko Imana yakijije Daniyeli kandi ko abansi ba daniyeli ari abansi b'Imana. Aca ategeka ko bafata abantu bose bamuteje umukono kw'itegeko ribi bakoresheje amayeri kandi ko baca babaterera intambwe. Intambwe zica zirabarya.



Umwami Dariyo yashaka ko abantu bose bamenya ko Imana yakingiye umukozi wayo w'umwizigirwa Daniyeli. Umwami aca yandika icete aho yasaba abantu bose gusenga Imana nzima. Kandi umwami aca asubiza daniyeli icubahiro ciwe no kubandanya atwara ubwami bwiwe.

Daniyeli M'urwobo Rw'intambwe

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Daniyeli 6

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16